www.kidworship.kr

# Rusi umukuzana w'umwami

- Old Testament Ⅱ / 4th story -


27Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Mu myaka ya kera cane, ikigoyi carateye mu gisagara c' I Betelehemu. Hanyuma, umugabo yitwa Elumeleki, yaba I Betelehemu, ahitana umugore wiwe n'abahungu biwe babiri bimukira mu gihugu c'I Mowabu. Inyuma y'imyaka mikeyi, Elimeleki ahitanwa n'ingwara arapfa. |


28Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Haheze imisi, ba bahungu biwe babiri bose babira abagore b'abanyamowabu. Imyaka cumi iheze.<br>Haheze imisi, ba bahungu biwe babiri bose babira abagore b'abanyamowabu. Imyaka cumi iheze. |


29Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Isirayeli ntiyari igihanzwe n'ikigoyi. Nahomi yipfuza gutaha mu gihugu c'amavuko. |
| Nawomi | Notaha mu gihugu c'amavuko. |
| Uwuvuga | Imbere yo gutaha , Nawomi ahamagara ba bakazana biwe babiri, Rusi na Orupa. |
| Nawomi | Nimusubire kwa ba nyoko banyu. Ngira nsubire mu gihugu c'amavuko. |
| Uwuvuga | Bose uko ari batatu baririra hamwe. Orupa, akiriko ararira, arahaguruka asubira muhira iwabo. Ariko Rusi umukazana mwiza, yumira kuri inabukwe Nawomi aramubwira : |
| Rusi | Iyo uzoja niyo nzoja. Imana yawe izoba iyanje. Ndakwinginze ntumbwire kugusiga. |


30Page


| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Ni uko, Rusi najana na Nahomi mu gisagara Betelehemu muri Isirayeli. |
| Abantu | Nawomi, ni wewe vy'ukuri? Warashaje. |
| Uwuvuga | Abantu baravuga na Rusi nawe. |
| Abantu | Ni umukazana w'akarorero. |
| Uwuvuga | Cari igihe co kwimbura. Abantu baja mu mirima kwimbura imbuto. Ariko Nahomi na Rusi nta murima bari bafise kandi nta muntu numwe yabafashije. |
| Rusi | Mabukwe, nundekure nje mu mirima kwitoragurira imbuto zakorotse basize. |
| Uwuvuga | Rusi, wa mukazana mwiza, aja mu mirima kurondera imfungurwa. |



31Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Igihe rusi yariko aratoragura imbuto zasigaye mu murima, nyene umurima yitwa Bowasi, aramubona. |
| Bowasi | Hmm, sinari bwabone uyo mwigeme. Aritonda cane. |
| Uwuvuga | Bowazi abaza umwe mu basuku biwe. |
| Bowasi | Urya mwigeme ni nde? |
| Sirviente | Ego, ni umunyamowabukazi yagarukanye na Nahomi. Ni umukazana w'intore cane. |

---



32Page



33Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Bowasi ategeka abasuku biwe: |
| Bowasi | Ni mumuyorere ku bitotoye ngaho mu gisimbo hanyuma mumureke yegeranye imbuto nyinshi zishoboka. |
| Uwuvuga | Rusi asubira muhira araheza yiganira inabukwe ivyabaye vyose. |
| Nawomi | Mbega izo mbuto zose wazikuye hehe? |
| Rusi | Mama, nakoze mu murima w'umuntu yitwa Bowasi. |
| Nawomi | Urya ni incuti. Uraraba uzotore mu murima wiwe gusa. |
| Uwuvuga | Nawomi yiyumvira ukuntu Rusi na Bowasi babereye kwabirana. |

---



34Page



35Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Bowasi akunda ukuntu Rusi yakorana urupfasoni rwinshi mu murima wiwe imisi yose. Hanyuma, Nawomi arabahezagira ahezagira ubukwe bwabo. Bowasi na Rusi baraheza barabana. Bowasi agira ibirori imisi itari mike. Abantu benshi baraza kunezeranwa na bo, barabakeza kandi barabahezagira.<br>Imana ihezagira Bowasi na Rusi ibaha umwana w'umuhungu. Nawomi nawenyene aranezeranwa na bo. Bowasi yita umuhungu wiwe Obedi. Obedi yari sekuruza wa Dawudi, umwami w'igitangaza wa Isirayeli. |